# ITANGAZO N°12/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 18 NYAKANGA 2024

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 18 Nyakanga 2024, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 16 na 17 Nyakanga 2024, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

## 1. Igitabu ntunganyamigambi c'ubushikiranganji bw'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka,

cashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Iki gitabu cerekana ingene ibisata vy'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka vyifashe, ingorane zirimwo n'icokorwa kugira bishobore gushika ku mahangiro y'imbonakazoza y'igihugu ya 2040-2060, imigambi igihugu gishira imbere y'iyindi, amahangiro n'imigambi bitegekanywa n'Umugambi mukuru w'Igihugu w'iterambere wo gushika mu mwaka wa 2027.

Ico gitabu kirerekana amahangiro mu gisata kimwekimwe cose, ibizokorwa, umwimbu witezwe n'uburyo bukenewe kugira ngo ibitegekanywa birangurwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hiryo no hino ico gitabu, yaracemeje ibanje kucunganira no kugitosora.

## 2. Integuro y'ibwiriza risuburamwo ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 03 Ntwarante 2016 ritunganya gushasha itozwa ry'amakori n'amatagisi ya Komine,

yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano

Iyo nteguro izofasha Komine kwironkera yo nyene uburyo bwo kurangura ibikorwa vy'iterambere, gutunganiriza abenegihugu mu vya nkenerwa baza barondera, no gukwega abanyamitahe Komine ikaba koko isoko ry'iterambere ry'ubutunzi.

Ibwirizwa n°1/02 ryo ku wa 03 Ntwarante 2016 ritunganya gushasha itozwa ry'amakori n'amatagisi ya Komine ryari ryagerageje gufasha amakomine, ariko haca haba ikibazo co kudatandukanya amakori n'amatagisi atozwa na Reta hamwe n'ayatozwa na Komine.

Ivyo vyatumye hatozwa amakori n'amatagisi kabiri, haca haba imyidogo mu batangakori, ayandi na yo ntibayamenyekanishe.



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

Ikindi kibazo cabaye ni uko urugero rw'amafaranga atozwa rushingwa n'Imana ya Komine, rugaca rutandukana ku makomine. Ivyo bituma haba abatangakori baza barimuka bakaja kurangurira ibikorwa vyabo muri Komine itangisha amakori n'amatagisi make. Iyi nteguro ije gukosora utwo tunenge.

Muri bishasha izanye harimwo ibi bikurikira :
1° Kwerekana ivyo Komine yonyene itozamwo amakori n'amatagisi;
2° Kwerekana ingingo ngenderwako mu gutoza amakori n'amatagisi ya Komine;
3° Gukoresha ubuhinga bwa none mu kwegeranya amakori n'amatagisi no mu kuyakoresha.

Inama nshikiranganji yihweje iyo nteguro ikayitosora, ikanayunganira muri bimwebimwe, yarayemeje.

### 3. Integuro y'itegeko rishinga rikongera rigatunganya umugwi mpuzabushikiranganji ujejwe gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'igihugu wo gufashanya mw'iterambere,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere

Uwo mugwi mpuzabushikiranganji ni urwego rujejwe gukuranira hafi no kuroranisha intererano z'abafashanya n'Uburundi mw'iterambere, kugira ngo ukwo gufashanya mw'iterambere kubandanye gutera intambwe, Uburundi bushike kw'iterambere rirama kandi bubandanye bugira izina mu makungu.



Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora no kuyunganira.

### 4. Urwandiko rwerekeye amasezerano hagati y'abanyamitahe mu Kigega FIGA gihurikiyemwo Reta n'abigenga,

rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Urwo rwandiko rwerekana ibiri mu nteguro y'amasezerano ari hagati y'abanyamitahe b'ikigega FIGA, na bikurubikuru vyapfunditswe mu nama yahuje abaserukira amabanki n'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana yemeye gushira umutahe mu Kigega FIGA.

Na vyo ni ibi bikurikira :

1° ku bijanye n'imitahe muri FIGA mu rutomora uwufise umutahe munini n'uwufise muto, abamaze kwemera ko bazoshiramwo imitahe, ikiringo co gutanga iyo mitahe, hamwe n'ingene inyungu izogaburwa;

2° ku bijanye n'itunganywa ry'intwaro muri FIGA, rutomora ivyerekeye Inama ya bose, urwego nshingwantwaro, n'uburongozi bwa FIGA muri rusangi.

Inama nshikiranganji yarashimye ibiri muri urwa rwandiko, ariko ica isaba ko impapuro zerekana ingene ikigega FIGA cashinzwe gushika aho gihinduka kikaba ukwo kimeze ubu zokwegeranywa, zikabikwa neza, kugira ngo no muri kazoza ibintu bizogume biri mu muco.

## 5. Urwandiko rwerekeye amadeni ibihugu vyafashe bikayaha ishirahamwe SINELAC,
rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, Ubutunzi no gutunganya imigambi

Ishirahamwe SINELAC ryashinzwe n'ibihugu bitatu ari vyo Uburundi, Urwanda na Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo. Umutahe w'iryo shirahamwe washika imiriyoni cumi na zibiri (12.000.000) z'ama DTS zigabuwe ku rugero rungana hagati y'ivyo bihugu. Iryo shirahamwe ni ryo rijejwe urugomero rw'umuyagankuba rwa Ruzizi II kuva mu mwaka wa 1989.

Kuva ico gihe, ibigega vya SINELAC ntivyigeze vyifata neza kubera uguhomba. Kubera ivyo, ibihugu vyarishinze vyarasavye ubufasha bugera ku miriyoni mirongo itatu na zibiri n'igice (32,5) z'amaranga y'amanyaburaya, ariko kugira ngo atangwe bigasabwa ko ibigega vya SINELAC bibanza gutunganywa neza.

Uru rwandiko rusaba ko Reta y'Uburundi yokwemeza indinganizo yo kunagura SINELAC yakozwe, yemezwa n'inama ya bose y'abanyamitahe, kugira ngo iyo mfashanyo ishobore kuboneka. Hisumzwe iyo ndinganizo yo kunagura SINELAC biciye mu kurihana amadeni, Uburundi buca busanga buheraniwe na SINELAC imiriyoni cumi n'umunani n'ibihumbi amajana atanu na cumi z'ama DTS (18.510.000).

Inama nshikiranganji yaremeye ibisabwa n'urwo rwandiko.



## 6. Urwandiko rumenyesha ivyerekeye indwara y'akaranda k'ibihere vy'inkende (Mpox),
rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe amagara y'abantu no kurwanya SIDA

Kuva muri Mukakaro 2024, mu Burundi haribonekeje indwara y'akaranda k'ibihere vy'inkende (Mpox). Iyo ndwara yararandagase cane mu gihugu kuko mu burere bw'ubuvuzi mirongo itatu na bune (34) kuri mirongo ine n'icenda (49) bugize igihugu, haribonekeje n'imiburiburi umurwayi umwe (1).

Ku bantu amajana atanu na mirongo itandatu na bane (564) bamenyekanye ko barwaye, amajana abiri na mirongo itanu na bane (254) bari mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura. Abarwayi bakaba bakurikiranwa n'ibigo vyashinzwe bikukira ibitaro.

Gushika kw'igenekerezo rya 15 Nyakanga 2024, abarwayi amajana abiri na mirongo itandatu n'icenda (269) bari bakize basohotse ibitaro, amajana abiri na mirongo icenda na batanu (295) bakaba ari bo bari bakiri mu bitaro.

Ibisata vy'ubuhinga vyo mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya SIDA vyarakoze birashimwa mu ntumbero yo guhangana n'ako karanda. N'abafashanya n'Uburundi bamwebamwe baratereye muri ico gikorwa, abandi na bo bakaba bariyemeje kuzofasha.

Naho hakozwe vyinshi, ingorane zo ntizibuze, zimwezimwe zikaba zishobora gutorerwa umuti n'umugwi w'abahinga washizweho n'ubushikiranganji, izindi na zo zikaba zikenera inyishu mpuzabisata. Ni muri iyo ntumbero bisabwa ko hashingwa Umugwi mpuzabisata ujejwe kurwanya iyandura n'irandagata ry'ako karanda k'ibihere vy'inkende.

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE**

**Secrétariat Général de l'Etat**

Na wo ukazoba ugizwe n'aba bakurikira : Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu, Iterambere rusangi n'umutekano ; Umushikiranganji w'Amagara y'abantu no kurwanya SIDA ; Umushikiranganji w'Ibidukikije, Uburimyi n'Ubworozi ; Umushikiranganji w'Ikigega ca Reta, Ubutunzi no Gutunganya Imigambi ; Umushikiranganji w'Indero n'ubushakashatsi ; Umushikiranganji wo Gushigikirana, Agateka ka zina muntu n'Iterambere ridakumira ; Umushikiranganji w'Amazi meza, Ubutare n'agataka ; Umuyobozi mwishikira mu Biro vy'Igendereza ; hamwe n'Umugenduzi Mukuru w'Igiporisi mu Burundi.

Inama nshikiranganji yeremeje ishingwa ry'uwo mugwi, ica isaba yuko abanegihugu bobandanya bahimirizwa gushira inguvu mu kwikingira ako karanda.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 19 Nyakanga 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi